# 189: Nzokwama nkwizigira

1. Nzokwama nkwizigira,
Nzi k'utazompemukira:
Ni naramuka ngowe
Nzizigira Yesu gusa.

Ref: Nzizigira nkiriho,
Kugez' ah' azoncisha
Mu kirimba c'ijuru
Nzizigira Yesu gusa.

2. Mmurikirwa n'umuco
Wa Mpwemu w'Imana Yera;
Iy' anjana sintemba:
Nizigiye Yesu gusa.

3. lyo mmerewe neza
Mu bugingo, ndaririmba,
lyo ngowe, ndasenga
Nizigiye Yesu gusa.

4. Uko bukeye nzama
Nizigir' Umwami wanje;
Mu bizombako vyose,
Nzizigira Yesu gusa.

Visit us at burundi.indirimbo.com